Helping your child with literacy and numeracy at home

Kirundi



# Gufashiriza umwana wawe muhira gusoma no guharura

Igisata c'indero n'ubumenyi NSW

NSW GOVERNMENT

**Aka gatabu kiyumviriwe gashirwaho kubw'abavyeyi, abarezi n'imiryango y'abana mu myaka ya mbere y'ishure.**

**Kuzuyemwo ibikorwa vyo gushigikira ukwiga gukomeye kubera i muhira. Ivyo bikorwa vyatunganirijwe wewe kugira ngo ubinezererwe n'abana bawe kandi ubafashe batangure neza ishuri.**

**Himiriza utere intege umwana wawe agire uruhara kandi asuzume ibikorwa kandi ushigikire ibikorwa vyabo umwe umwe ku giti ciwe.**

# Ibirimwo


## Ugusoma 4

Kuvuga no kwumviriza 5

Gusoma 10

Gucapa no kwandika 16

## Guharura 21

Ibiharuro no guharura 22

Guteranya no gukuramwo 28

Kurobanura no gushiraho ibishusha 32

# Ugusoma

## Gufasha umwana wawe kugira ngo arwize ubuhinga bwo gusoma

**Gusoma kugizwe no kwumviriza, kuvuga, gusoma hamwe no kwandika no kumenya indome zigize ijambo. Ni ubuhinga bwo gushikiriza ivyiyumviro, ibishobisho, n'ivyo umuntu yibaza kandi no gutora insiguro mu vyavuzwe hamwe no mu butumwa bwanditswe.**



# Kuvuga no kwumviriza

Ubuhinga bwo kuvuga no kwumviriza ni vyo bigize umushinge ku kwiga kw'umwana wawe kw'ishuri. Ubwo buhinga bufasha umwana kuvugana n'abandi, kugiraubucuti n'ubugenzi kandi no kugira uruhara runini mu bikorwa vyose bikorerwa kw'ishuri.

Nimba uvuga urundi rurimi atari Ikingereza i muhira ni ngirakamaro yuko ubandanya gufasha no gushigikira umwana wawe kugira ngo avuge ururimi rwiwe i muhira.

# Kuganira no kuvugana n’umwana wawe


- **Vugana n’umwana wawe** ibijanye n’ibintu bitari bike, nk’akarorero ibintu biba umusi ku musi.
- **Babwire udukuru, imigani** yo mu mico kama yawe, inkuru zawe wisangije n’inkuru z’abana bawe.
- **Erekana ido n’ido y’ukugene ibintu bimeze canke uvuge ku bintu** uko biriko biragenda. Nk’akarorero, "tugomba tugende n’amaguru kw’ishuri uyu musi kandi duce iruhande ya park."
- **Tega ugutwi abana bawe kandi ubahimirize gutanga iciyumviro bahanahana ijambo**. Bereke ingene bategа ugutwi, bumviriza n’ukugene bahanahana ijambo.
- Igihe utanguye ikiganiro canke igihe uriko uravugana n’umwana wawe **baza ibibazo** bisaba kutishura ego canke oya. Nk’akarorero, "wakoze iki uyu musi kw’ishuri?"
- Koresha ibibazo **bitanguzwa na gute canke kubera iki**. Nk’akarorero, "Ubona inyoni zingahe muri park?"
- Igihe uriko urabaza ibibazo, **ha umwana wawe akanya ko kwishura**.
- **Ryosha ico kiganiro mukinezerererwe**. Shiramwo udukuru dutwenza, ganira kandi muririmbane n’umwana wawe.


# Gutanga ubutumwa


- **Vuga inkuru mu yandi majambo**. Vuga ku vyabaye mu ntango, ivyabaye hagati na hagati, uvuge n'ivyabaye mu nyuma muri iyo nkuru.
- Inyuma y'ugusoma, **vuga ku bantu bari muri iyo nkuru** canke ku gice nyamukuru canezereye umwana wawe muri ico gitabu yasomye.
- **Hanahana ivyiyumviro** ku bintu bishobora gushika igihe umuntu agiye ku rubanza kanaka canke igihe agiye kw'ishuri. Inyuma y'urwo rubanza, vuga ku vyabaye kandi ubasabe na bo bavuge ivyiyumviro vyabo n'ingene biyumvise hamwe n'ingene babibonye.
- Shigikira umwana wawe **na we areme inkuru yiwe** ivuye mu vyiyumviro vyiwe. Baza ibibazo nk'ibi, "iyo nkuru ivuga ku ki?" "Habaye iki muri iyo nkuru?"
- **Igisha umwana wawe amenye amazina yiwe yose**, aho aba, imyaka afise, umwaka n'italiki yavukiyeko, hamwe na nimero za telephone.
- Avuye kw'ishuri baza umwana wawe ukugene umusi wagenze, **kandi usabe akubarire vyinshi**, nk'akarorero, "kubera iki wiyumviza gurtyo?"





# Ibitabu bishobora gufasha umwana wawe kumenya no kuvuga Ikingereza hamwe n’ubuhinga bwo kwubaka amajambo




# Kwubaka amajambo

- **Koresha amajambo avuga ingene ibintu bimeze** igihe uriko uravuga. Hamwe umwana wawe avuze ati, "hariho imbwa". Ongera ko amajambo nk'aya, "iyo ni imbwa ntoya, y'ivyoya vyinshi, yera".
- Ubakira ku rurimi rw'umwana wawe **mu kubigisha amajambo mashasha**.
- Igihe uriko urasomera hamwe n'umwana wawe **vuga ku majambo** yakoreshejwe muri ico gitabu. Hanahana ivyiyumviro ku nsiguro y'ayo majambo. Urashobora kandi kwipfuza kuronderamwo amajambo mashasha aryoshe mushobra kuvugako.
- **Menyereze** gukoresha amajambo mashasha mu ryungane.
- **Shira utumenyetso** ku bintu bikikuje inzu.



# Gusoma

**Abana biga basomewe, ugusomerwa hamwe n'abandi kandi vyongeye n'iyo bisomeye ubwabo.**


**Nezerererwa gusomera hamwe imisi yose. Rondera uburyo n'imyanya nk'akarorero iyo mugiye n'amaguru kw'ishuri, aho bagurira ibitabu, mw'itorokanirizo ry'ibitabu no mw'isoko.**


**Vuga ku nkuru, ururimi rwakoreshejwe, amajambo yakoreshejwe muri iyo nkuru, co kimwe n'amajwi y'izo ndome mu majambo. Soma ibitabu mu rurimi rwawe rw'i muhira.**


# Soma muri kumwe n'umwana wawe imisi yose


- **Reka ukwo gusoma kube ukunezereye** kandi gukundwe. Abana biga ivyerekeranye n'ugusoma mu kwitegereza, mu kurorera, kwimura hamwe n'ukuvugana n'abandi.
- **Reka umwana wawe yihitiremwo yongere asome ubugira kandi ivyo bitabu** bumva yuko vyabaryoheye.
- **Vuga kuri ico gitabu** imbere yuko utangura kugisoma. Vuga ku mutwe w'igitabu, n'ico gishobora kuba kivugako n'ibishobora kuzoba muri ico gitabu.
- **Hanahana ivyiyumviro ku bicapu** n'ico vyongerako ku nkuru.
- Igihe muzoba muriko murasoma, **baza umwana wawe ibibazo** vyerekeranye n'iyo nkuru nk'ibi, "wibaza yuko hazokurikira iki, inyuma y'ibi?" "Wibazo ko bizogenda gurtyo kubera iki?"
- Inyuma y'ugusoma, **vuga kuri iyo nkuru**. Baza ibibazo nk'ibi, "ni ikihe gice c'iyi nkuru wakunze kurusha ibindi vyose?" canke "ni iki cakunezereye, cagutangaje, canke cakubabaje muri iyo nkuru?"
- **Tana imbu mu gusoma** inkuru ziryoshe n'umwana wawe hamwe n'abo bavukana, bashiki we n'abagenzi.
- **Hitamwo ibitabu vyinshi vy'ugusoma** Nk'ibinyamakuru, ibicapu vyo ku mabarabara, ibiranganzira, ivyerekeranye n'ugutegura impfungurwa, hamwe n'urutonde rw'ibigurwa.


## Ibitabu vy'Ikingereza vyanditswe mu majwi yitabana















# Kunezerererwa gusoma, ururimi n'amajambo

- **Robanura ibitabu vy'Ikingereza bifise amajwi yitabana** canke vy'ibisokoranyo.
- **Vuga ku majambo yitabana**. Cat, hat, sat, bat ayo majambo yose ni uburorero bw'amajambo aherezwa kumwe yitabana mu Kingereza kuko avuga kumwe mu mpera yayo.
- **Kina agakino k'amajambo y'amajwi yitabana** kandi mukine udukino tw'amajwi yitabana mu Kingereza. "Have you ever seen a snail deliver the mail?"











# Kinisha amajwi y’indome


- **Nezerererwa n’ugukinisha amajwi y’indome**. Vuga amungane atagira insiguro ukoresheje amajambo atangurwa n’ijwi rimwe.
- Igihe uba uriko urasomera amwana wawe, babaze, basabe berekane ico wasomye kandi **bavuge ayo majwi bazi**.
- **Kina udukino turimwo amajwi** arimwo izina ry’umwana wawe. Baza ibibazo nk’ibi, "izina ryawe ritangurwa n’ijwi irihe?" "mbega iryo jwi nyene ni ryo ritangura dad?"

## Ibitabu birimwo amakete mu Kingereza









# Gucapa no kwandika

**Himiriza umwana wawe gucapa no kwandika ibintu biryoshe.**

**Saba umwana wawe avuge ku vyo yacafye, n’ivyo yanditse. Itwaririke inkuru zabo n’ukugene bahisemwo gucapa canke kuvyandika.**



# Andika umusi ku musi

- **Nezerererwa gucapa no kwandika**. Saba umwana wawe gucapa canke kwandika ku bintu bakunda gukora canke gukina.
- **Himiriza utere intege umwana wawe avuge ku vyerekeranye n'ivyo yanditse**. Muri ivyo hashobora kuba harimwo ivyo banditse, ivyo bacafye, indome, amakete canke amajambo.
- **Koresha ibikoresho bitandukanye** nka ichaki, impapuro n'amakaramu, marike n'amakaramu gushushanya no kwandika hamwe.
- Saba umwana wawe **yandike izina ryiwe**. Umwana wawe ashobora kandi kugerageza kwandika amazina y'abandi bantu babafitiye akamaro.
- Igihe umwana wawe azoba ariko arandika canke acapa **vugana ku vyerekeranye n'igicapu n'amajwi y'indome** ariko aragerageza kwandika.
- **Himiriza utere intege umwana wawe akoreshe ubwenge n'ukwiyumvira kwiwe** areme inkuru. Bashobora kurema inkuru yokwandikwa mu gitabu mu gucapa ibicapu no kwandika amajambo yokoreshwa muri iyo nkuru.
- Shigikira ufashe umwana wawe **kwandika ubutumwa mu rurimi rwabo rw'i muhira**.



# Gucapa no kwandika kubera intumbero kanaka

- **Himiriza utere intege umwana wawe acape canke yandike** urutonde rw'ibisumwa, canke umuntu bakunda cane mu muryango wabo, canke igitabu cabanezereye cane kurusha ibindi.
- **Himba ururirimbo canke icese** hanyuma wandike amajambo canke ucape igicapu bijanye n'urwo ruririmbo canke ico cese.
- **Saba umwana wawe yerekane; asigure** ivyo ariko aracapa canke ivyo yanditse uko bariko baravyiyumvira.
- Bahimirize, ubatere intege **bandikire ikete** umugenzi canke uwundi muntu wo mu muryango ku vyerekeranye n'ikintu gitangaje cabanezereye cabaye.
- **Rondera agatabu, akajurunari canke akadayari ko umwana wawe ashobora kwandika** ibiba umusi ku musi canke gucapa ibiba umusi ku musi.
- **Andika agakarata** canke ubutumire bwo guha abantu ku musi mukuru kanaka udasanzwe.



# Vuga ku butumwa

- Saba umwana wawe **areme ubutumwa** yipfuza kurungikira uwundi muntu. Bishobora kuba akantu k'ukugabisha nka "wirinde imbwa, wiyubare imbwa" canke ikete bandikiye umwigisha wabo ku vyerekeranye n'ibintu bipfuza gukora.
- **Koresha amajambo akunda gukoreshwa imisi yose** agize umuco kama w'umwana wawe, ibibanezereza n'ivyo baciyemwo.
- **Vuga ku nkuru canke amakete** umwana wawe yanditse canke mwasomeye hamwe.
- Igihe ariko aravuga, **shigikira umwana wawe akoreshe amungane arimwo amajambo atandukanye**.







3
5
6

# Guharura

## Gufasha umwana wawe amenye ubuhinga bwerekeranye n'uguharura

Uguharura gukubiyemwo gushobora gutahura ingene ibiharuro bikora mu bigize umusi ku musi.

Turabona kandi tugakoresha ibiharuro imisi yose. Igihe umuntu aba ariko arasoma harimwo ibiharuro ku rupapuro,inzu zacu zirafise ibiharuro, kandi n'igihe tuguze ikintu kanaka, turateranya tugakuramwo ibiharuro.

Fasha umwana wawe akunde ibiharuro.

Ni ngirakamaro kwubaka ubuhinga bw'ibiharuro mu rurimi mukoresha i muhira.



# Ibiharuro no guharura

Umwana akiri muto ikintu ca mbere amenya ni uguharura. Mu guharura harimwo:

- Kuvuga no kwibuka ibiharuro mu rukurikirane atihenze
- Gushira igiharuro c'amajambo ku bintu
- Kumenya yuko igiharuro ca nyuma gihagarariye igiharuro cose c'ibintu.

## Amajambo yo gukoresha

- Harura uja imbere, harura usubira inyuma
- Igiharuro c'imbere, n'igiharuro c'inyuma
- Bisumba, ni bikeya kurusha
- Ni co kimwe na.

## Ibiharuro vyo mu Kingereza

| | | | |
|---|---|---|---|
| 0 | zero | 1 | one |
| 2 | two | 3 | three |
| 4 | four | 5 | five |
| 6 | six | 7 | seven |
| 8 | eight | 9 | nine |
| 10 | ten | | |




# Ibikorwa vyo guhimiriza mu kwiga ivyerekeranye n'ibiharuro


- **Koresha akantu gafise ibiharuro n'utuburungu (dice)** kugira ngo ufashe umwana wawe amenye ibiharuro n'ibitigiri. Baza umwana wawe, "hari utuburungu tungahe (dice) kuri ico kintu ufise?
- **Kinira imikino hamwe ku rubaho** ikoresha agasoro candi baharura.
- **Soma musabikanye inkuru**. Vuga ku bijanye n'uguharura, ibitigiri, n'ibiharuro mubona mu gitabu, harimwo n'inomero z'urukaratasi.
- **Saba umwana wawe arondere inomero igihe agiye gutembera**. Baza umwana wawe uti "ni ibiharuro bihe ubona?" Vuga ku bijanye n'inomero z'inzu, ibiharuro biri ku ma parati y'imodoka, n'ibimenyetso biri ku mabarabara.
- **Vuga ku biharuro** bikoreshwa umusi ku musi nk'isaha, n'inomero z'amaterefone. Fasha umwana wawe yibuke inomero zimwe zimwe.

# Kumenya igitigiri c'ibintu canke c'utuburungu


## Ibintu bisa, bijanye n'utuburungu turi ku kantu bakinisha nk'akamari (dice)




## Ibintu bijanye n'utuburungu




3



4





6





6

## Ibintu bimeze nk'inkarata (domino).









# Guharurira hamwe n’umwana wawe


- **Harura igihe uriko urakora ibintu i muhira**. Uriko urateka ibintu vyoroshe muri kumwe n’umwana kandi usabe umwana wawe aharure ibirungo ukoresha.
- **Himiriza utere intege umwana wawe agufashe gutegura imeza** ku bifungurwa vy’umuryango. Saba abana guharura abantu barya, n’amasahani, ibikombe, amakanya, n’ibiyiko bikenewe kuri iyo meza.
- **Harurana n’umwana wawe** igitigiri c’ibipfungo bategerezwa gupfunga kw’ishati bambara kw’ishuri.
- Saba umwana wawe **igitigiri c’ibintu** bigize ivyo batekeye barira kw’ishuri.
- **Harura uja imbere**. Harura ibintu vyose imisi yose nk’imodoka, amazu, ibirato n’imipfuko.
- **Harura usubira inyuma**. Wururuka ku ngazi hanyuma wongera uzidugako. 10, 9, 8 ....

## Guharura indirimbo mu Kingereza




- Here is the Beehive
- Five Little Ducks
- The Ants Go Marching
- One, Two, Buckle My Shoe
- Five Cheeky Monkeys Jumping on the Bed
- Ten Green Bottles

# Ibitabu bijanye n'ibitigiri n'uguharura mu Kingereza

















# Guteranya no gukuramwo


Abana bakiri bato barakeneye kumenya ico ari co guteranya no gukuramwo. Muri ivyo harimwo gushira hamwe ibintu bibiri canke birenga hamwe no gukuramwo no gutandukanya ibintu.

## Amajambo yo gukoresha

- guhuza hamwe, gufatanya, gukora
- munsi ya, kurenza
- vyose hamwe
- gukuramwo
- ni bingahe vy'iyongera

# Ibikorwa bihimiriza guteranya

- **Ongerako ibitigiri vy'ibintu umusi ku musi**, ibikinisho, ivyamwa, ibitabu. Abana barashobora gukoresha intoki zabo mu guteranya.
- Igihe muba muriko muragendagenda **teranya igitigiri c'ibintu bitandukanye** ubona, nk'akarorero amashurwe mu karima k'i muhira.
- Ku kirangamisi, saba umwana wawe ashire akamenyetso ku misi bagiye kw'ishuri canke bakoze ikindi gikorwa. Ku mpera y'iyinga **teranya igitigiri c'imisi mwakozeko igikorwa ico ari co cose**.
- Igihe uba uriko uragura ibintu, vuga ku vyo ukenye kugura. **Baza ibibazo** nk'ibi, "hakenewe imihwi ingahe ku muntu wese wo mu muryango? Hamwe nokwongerako umwe, twoca tuba dufise ingahe?"
- **Kina udukino duhimiriza guteranya hakoreshejwe utuburungu two gukina akamari tubiri**, nk'akarorero "Snakes and Ladders."








# Ibikorwa bihimiriza gukuramwo


- **Gukuramwo ibintu umusi ku musi**. Harura ivyo bintu biri mu ga sahani batekeramwo ivyo kurya vyo ku mutaga hanyuma ukuremwo urabe ibisigaye uko uguma ukuramwo kimwe kimwe.
- **Igihe uriko urarya harura igitigiri kigize ivyo urya** ufise. Baza ibibazo nk'ibi, "wariye insukoni zingahe? Hasigaye insukoni zingahe?"
- Himiriza umwana wawe **arabe itandukaniro ribaho igihe ibintu biba bikuwemwo** nk'ugukura amagi muri kirya gikarato cagenewe gushirwamwo amagi, canke guhanyagura ibitoki kw'ihando.
- **Ririmba indirimbo** nk'izi "Five Little Ducks" aho igitigiri kigabanuka uko imwe imwe ikuwemwo.
- **Baza ibibazo** nk'ibi "dufise pome zitanu mu gasahani. Hamwe norya amapome abiri nosigarana amapome angahe mw'isahani?"

## Ibitabu bivuga ku guteranya n'ugukuramwo mu Kingereza






# Kurobanura no gushiraho ibishusha

Ibijanye ni ibintu iguma bigaruka. Bishobora gukorwa habaye n'iforoma, amajwi, ibitigiri canke ibintu.

Abana barashobora kwiga kumenya, kurobanura, kurema, kwimura no kubandanya ivyo bijanye mu bikorwa vya misi yose.





## Amajambo y'ugukoresha

- subiramo
- komeza
- kurema
- kumenya
- gusobanura
- icitegererezo
- cokimwe
- bitandukanye

## Menya kandi urobanure ibijanye


- **Robanura ibijanye** nk' ibikaratasi vy'ugutekera, amakaro yo mu kazu ka surwumwe n'izira zicamwo abagenda n'amaguru. Vuga kuri ivyo bijanye bitandukanye kandi n'igituma bijana.
- **Vuga ku buryo.** Baza ibibazo nka "Kuki ari icitegererezo?" "Urashobora gukomeza ico citegererezo?"
- **Kina udukino tw'inkarata, "dominoes"** canke **dice** kugira ngo ufashe umwana wawe amenye ibijana.

## Gusubiramwo ibijanye


- Kina udukino tw'ugukoma amashi aho **ukoma amashi ukoresheje ibijanye** umwana wawe na we agasubiramwo ivyo bijanye. Saba umwana wawe akome amashi wasubiyemwo.
- **Tegura imeza y'ivyo kurya muri kumwe n'umwana wawe mukoresheje ibijana** nk'isahani n'ikiyiko, isahani n'ikiyiko, isahani n'ikiyiko.


## Gushiraho ibintu bishusha


- **Shiraho ibintu bishusha ukoresheje ibintu bikoreshwa umusi ku ku musi** nk'ibikinisho n'ivyamwa.
- **Tangura ibijanye vyoroshe** hanyuma **ugire ibigumye** nkakarorero iepo rimwe, ibitoke bibiri, iepo rimwe, ibitoke bibiri.




# Ibitabu vyerekeranye n'ibintu bijana mu Kingereza






# Ibitabu bifasha umwana wawe kwubaka ubuhinga bw'ugusoma n'ukwandika

## Ibitabu vy'ibiganiro no kwubaka amajambo

**Dunbi the Owl** – Daisy Utemorrah, editor Pamela Lofts. Scholastic Australia

**Possum Magic** – Mem Fox, illustrator Julie Vivas. Omnibus Books

**Splosh for the Billabong** – Ros Moriarty, illustrator Balarinji. Allen and Unwin

**The Day the Crayons Quit** – Drew Daywalt, illustrator Oliver Jeffers. Harper Collins Children's Books

**The Echidna and the Shade Tree** – Mona Green, editor Pamela Lofts. Scholastic Australia

**The Little Refugee** – Anh and Suzanne Do, illustrator Bruce Whatley. Allen & Unwin Children

**The True Story of the 3 Little Pigs** – Jon Scieszka, illustrator Lane Smith. Penguin

**The Very Cranky Bear** – Nick Bland. Scholastic Australia

## Ibitabu bifise amajwi yitabana

**Miss Spider's Tea Party** – David Kirk. Scholastic Inc

**No Way Yirrikipayi!** – Alison Lester. Pan Macmillan Australia

**Pig the Pug** – Aaron Blabey. Scholastic Australia

**Piranhas Don't Eat Bananas** – Aaron Blabey. Scholastic Australia

**Oi Cat!** – Kes Gray, Jim Field. Hachette Australia

**Sebastian Lives in a Hat** – Thelma Catterwell, illustrator Kerry Argent. Omnibus Books

**Walking Through the Jungle** – Stella Blackstone. Barefoot Books

**The Cat in the Hat** – Dr Seuss. Random House

## Ibitabu vyerekeranye n'indome

**ABC Dreaming** – Warren Brim. Magabala Books

**Animalia** – Graeme Base. Picture Puffins

**Dr Seuss's ABC** – Dr Seuss. Random House

**I Spy, An Alphabet in Art** – Lucy Micklethwait. Greenwillow Book

Ibi bitabu vyanditswe aha hepfo bishobora gukoreshwa mu gusoma, kwandika no guharura bifise intumbero nyinshi zitandukanye.

**Ja ku rubuga ngurukanabumenyi rwacu uzosangayo ibintu vyinshi bishobora gufasha umwana wawe kugira tangure neza ishure:**

**education.nsw.gov.au/lit-and-num-at-home**




# Ibitabu vyo mu Kingereza vyo gufasha umwana wawe kwimenyereza ubuhinga bujanye n’ugusoma, ukwandika no guharura

## Ibitabu vyerekeranye n’ibiharuro no guharura

**Counting on Community** – Innosanto Nagara. Seven Stories Press, Penguin.

**Counting with Tiny Cat** – Viviane Schwarz. Walker Books

**Five Little Ducks** – Penny Ives. Child’s Play International Ltd

**One is a Snail, Ten is a Crab** – April Pulley Sayre and Jeff Sayre, illustrator Randy Cecil. Scholastic Australia

**One Woolly Wombat** – Kerry Argent. Scholastic Australia

**Ten Black Dots** – Donald Crews. Scholastic Australia

**Ten Little Dinosaurs** – Mike Brownlow, illustrator Simon Rickerty. Orchard Books

**Ten Little Jarjum** – Tabulam Aboriginal Community members, editors Suzi Williams and Kate Merrifield. NSW Board of Studies

**Ten Scared Fish** – Ros Moriarty, illustrator Balarinji. Allen and Unwin

## Ibitabu vyerekeranye n’uguteranya hamwe n’ugukuramwo

**Five Little Monkeys Play Hide-and-seek** – Eileen Christelow. Houghton Mifflin

**Ten Little Beasties** – Rebecca and Ed Emberley. Macmillan

**Ten Little Fingers and Ten Little Toes** – Mem Fox, illustrator Helen Oxenbury. Puffin Books

**Ten Little Ladybugs** – Melanie Gerth, illustrator Laura Huliska-Beith. Intervisual Books Inc

**There Were 10 in the Bed** – illustrator Wendy Straw. Sweet Cherry Publishing

**The Shopping Basket** – John Burningham. Random House

**Uno’s Garden** – Graeme Base. Penguin Books, Puffin

## Ibitabu vyerekeranye n’ibijana

**Anno’s Counting Book** – Mitsumasa Anno. Harper Collins

**Caterpillar and Butterfly** – Ambelin Kwaymullina. Fremantle Press

**One fish, two fish, red fish, blue fish** – Dr Seuss. Random House

**The Very Hungry Caterpillar** – Eric Carle. Hamish Hamilton Press

© State of New South Wales (Department of Education), 2020.

The copyright material published in this resource is subject to the Copyright Act 1968 (Cth) and is owned by the NSW Department of Education or, where indicated, by a party other than the NSW Department of Education (third-party material).

Copyright material available in this resource and owned by the NSW Department of Education is licensed under a Creative Commons Attribution 4.0 International (CC BY 4.0) licence. This licence allows you to share and adapt the material for any purpose, even commercially.

Attribution should be given to © State of New South Wales (Department of Education), 2020.

Material in this resource not available under a Creative Commons licence:
- the NSW Department of Education logo, other logos and trademark-protected material
- material owned by a third party that has been reproduced with permission. You will need to obtain permission from the third party to reuse its material.

# Ibikorwa bisaba umusiguzi akura mu rurimi rumwe agashira mu rundi

Nimba ukeneye izindi nkuru zirenze izo tukubariye, usabwe guhamagara umuyobozi mukuru w'iryo shuri umwana wawe yigako. Igihe uzoba ukeneye umusobanuzi, kugira ngo agufashe ku vyo uzoba uriko urashaka kumenya usabwe guhamagara ku murongo wa 131 450 usaba ko baguha umusobanuzi avuga ururimi rwawe. Ico gikorwa ni ku buntu nta mahera kirihishwa kuri wewe.